THE TRUTH OF GOD IN FAVOR OF HIS SERVANTS
**Lesson 126**
**NUMBERS 17:1-13**
Memory verse : " ***For this is the will of God, that by well-doing you should put to silence of the ignorance of foolish men.*** " 1 Peter 2:15

# UKURI KW'IMANA KU RUHANDE RW'ABAYIKORERA.

**Icirwa ci 126**
**Guharura:17:1-13**

Ijambo ngenderwako : "***Kuko ivyo Imana igomba ari uko ugukora neza kwanyu kunumya abantu b'imburabwenge batagira ico bazi*** " 1 Petero 2:15

## I. Intangamarara

Uhoraho akomeza kubona mu b'Isirayeli hakirimwo abagabo bipfuza kuba abakuru mu gishingo ca Mose na Aroni. Afata umugambi wo kubatatura. Ahamagaza abakuru b'imiryango yose uko ari 12, umuryango wose ukazana inkoni yanditseko izina ryawo. Birangira Inkoni ya Aroni mukuru wa Mose ariyo inaze amashurwe. Ibi bituma Abisirayeli bose banuma, bemera Mose na Aroni nk'abarongozi bemewe n'Imana.

## II. Imbuto yo gukekeranya yabibwe.

Igihe cose umuntu canke umugwi w'abantu baba bahagaze m'ubugororotsi, bakagira ico basaba Imana, ntiteba kubishura. **Yoh. 7:17** *« Ni haba hari uwugomba gukora ivyo uwo agomba, azomenya izi nyigisho, ko zavuye ku Mana. ..* » Imana ntirekera umuntu mu madidane canke ngo itebe kumwihishurira igihe abisabana umutima uciye bugufi.

Iki gihe, Abisirayeli bari mu madidane y'umurongozi yemewe n'Imana. Mu gihe ca Kora n'abagenzi biwe, abantu benshi bari bumviye kandi baremera inyigisho zabo kuko bageze aho barivugira mu majambo meza**. Guhar.16 :3** *« Ivyanyu biratunaniye! Erega ishengero ryose ni iryera, iyo bava bakagera, kandi Uhoraho ari muri bo…* » Iyi mvugo yatumye abantu bumva ko ba Kora ari abantu beza kandi bakunda ishengero. Iki nico catumye urupfu rwabo barushira kuri Mose na Aroni.

Imbuto yo gukekeranya yari yamaze kubibwa muri benshi. Ni ivyumvikana ko mu gihe baba bari mu mahema yabo batabura kuvugana ibinyuranye n'ivyo

bereka Mose na Aroni. Ibi vyari bifise ingaruka mbi kuko Mose yoshoboye kubabwira ico Imana ivuze, ntibagikurikize canke mbere ntibabe bakizana ibimazi ngo Aroni abibatangire. Hagumye umugararizo wo mw'ibanga, banka kuvyerekana kubwo gutinya ikindi gihano cova ku Mana. Imana yo ibona mu mitima y'abantu, yari yabibonye. Hari hakenewe ukuri kuva ku Mana ngo guheze amakenga.

## III. Igitangaza cakozwe.

Uhoraho asaba Mose kubwira Abisirayeli ko umuryango wose uzana inkoni yumye, hakandikwako izina ry'umiryango ku nkoni yawo. Barazizana, bazishira mw'ihema ry'ibonaniro. Yari yababwiye ko umuryango Imana itoranya, baza gusanga inkoni yawo yanaze amashurwe. Bukeye Mose agiye kuraba asanga inkoni ya Aroni mukuruwe, bo mu muryango wa Lewi ariyo yanaze amashurwe.

Iki kiba kibaye icemezo gikuraho amakenga yose mub'Isirayeli. Bemera ko Mose na Aroni batoranirijwe uburongozi n'Imana Yehova. Baca baranuma, bakuraho kubacira imanza zo mu mitima. Ntibikenewe ko Imana irinda kwiyerekana muri ubu buryo bwose kugira abantu bubake neza. Mw'ishengero umwe wese ni yubahe mugenzi we nkuko intumwa zabikora. Mu rugo ntibikenewe ko urinda kubona inkoni inaga amashurwe ngo ubone kubakana kwizera uwo mwubakanye.neza.

## IV. Inkoni uyu musi.

Inkoni ya Aroni iragereranywa n'Ukuri k'ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo. Yesu niwe muherezi mukuru wacu, yazanye ubutumwa bwiza bw'Ubwami bw'ijuru mu bari mw'isi, nk'ubushobozi bw'inkoni ya Aroni. Akigendagenda mw'isi, bwaramye amashurwe. Amaze kwicirwa ku musaraba, abansi biwe biyumviye ko, ubutumwa bwiwe bupfanye nawe kandi buheranye n'ako kanya. Bakoze umugararizo n'ubwishime n'ubwa Kora n'abakunzi biwe barenga 250.

Mbega impundu ku bakunzi b'umusaraba igihe bumvise Yesu yazutse ! Ubushobozi bw'ubutumwa bwiza bwaciye busubira kuboneka buri mu nkomezi zitangaje cane. Intumwa za Yesu zahereye aho zishinga intahe y'agakiza no kugera ku mpera y'isi, abari mw'isi bama amashurwe n'ivyamwa bibonekera n'abansi b'umusaraba. Hari aho, abansi bawe babona ko ugiye ivyawe biheze, ariko Imana ivuze, ugatagata bakubona, bakanuma.

## V. Guhira mu ngiro

Nkuko Petero yavyanditse, ***ivyo Imana igomba ari uko ugukora neza kwanyu kunumya abantu b'imburabwenge batagira ico bazi.***

Umunyavyaha, aboneka nk'imburabwenge imbere y'Imana kuko yemera gukurikira inzira ija mu mahonero kandi yarayibwiwe. Ntibatinya no guharira ukuri kw'Ijambo ry'Imana. Nkuko inkoni ya Aroni yanumishije abanyabihari mu bisirayeli, niko n'ibikorwa vyiza vyawe bifatanya n'ubutumwa bwiza bizotuma abansi bawe n'abansi b'umusaraba banuma. Bagatekereza bakakureka ukabandanya amahoro.  Hari ico usabwa :

Urakwiye kwisuzuma kugira ntuzosange  uri mw'ihema ry'Imana ukazovayo utagira  amashurwe nk'uko vyashikiye inkoni cumi n'imwe z'iyindi miryango y'Abisirayeli. Iyumvire uwo mubabaro n'ubumaramare imbere y'ishengero!